Ikinyamakuru
ca Ekleziya
Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu
kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°806 01 Nzero 2024

## « Twubake umushinge w'imbonakazoza y'Uburundi 2040 na 2060 duhereye ku guteza imbere ubuzima bw'abenegihugu »..

*Ijambo rishikirijwe na Nyenicubahiro Evaristo Ndayishimiye, Umukuru w'Igihugu rijanye no gusozera umwaka w'2023 no gutangura umwaka mushasha w'2024.*

Ndaramukije abarundi bose, iyo bava bakagera n'incuti z'uburundi ndababwira nti: Nimugire amahoro, ni musangwe amahoro, ubumwe burange Uburundi, amajambere atuvyagire, tujandajande kw'ijambo ry'u-+bugabo twarazwe na ba sokuru.

Barundi, Barundikazi, Ncuti z'Uburundi,

1. Mu masaha make, indirimbo, inzamba, amashi n'amajwi menshi biraza gusamirana mu gihugu cose, duserure umunezero dufise wo gusezera umwaka turangije turi bazima no gutangura umwaka mushasha w'2024, dufise amagara meza.

Umusi wa mbere w'umwaka, ni wo musi mukuru utegurwa neza kugira uhimbazwe neza kw'isi yose kandi uhuza benshi.



Soma ku Rup. 5

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Ibitaro vy'itiriwe Umwami Dawudi bije nk'inyishu ku bazovyitura




Foto: Chanel HARINGANJI

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Ibitaro vyitiriwe Umwami Dawudi bije nk'inyishu ku bazovyitura...........4

o Ubuzima bwa patiri Benjamin Sivyindika (1975 - 2023)...........................6

o Ukubana nk'umugabo n'umugore kw'abafise ibitsina bisa, si igicumuro gisanzwe, ni ivumwe.......................................................................................7

o Akarimbi k'agateka ka zina muntu wese.....................................................11

# Idominika ya Epifaniya: Umwaka B

### Igisomwa ca mbere : Isaie : 60,1– 6

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Isaie :

*(Ubuninahazwa bw'Umukama bwagusaze wese)*

Yeruzalemu we, haguruka , tamanzura: umuco wawe waserutse, ubuninahazwa bw'Umukama bwagusaze. Nayo umwijima watwikiriye isi, umuzimiza wazimije ibihugu ; ariko weho Umukama yakugarukiye, ubuninahazwa bwiwe buhagaze hejuru yawe. Intara ziza zigana umuco wawe, abami na bo birukira izuba rirasiye iwawe.

Tereza amaso irya n'ino urabe : bose bakoranye kandi baje iwawe ; abahungu bawe baje bava kure, abigeme bawe na bo baje bareruwe. Niwabibona uzoheza unezerwa, agahimbare kakwuzure, kuko ivyiza biva hakurya y'ikiyaga bizosesekara iwawe, amatungo y'ibihugu azotaha iwawe. Isinzi ry'ingamiya n'ibitwazi vya Mediyani na Efu bizokubita iwawe hazime. Abo muri Seba bose bazoba bazanye inzahabu n'isenga baninahaza Umukama.

### Igisomwa ca kabiri : *Abanyefezi: 3,2 -3a. 5-6*

Ivyo dusoma mw'ibaruwa Umutumwa Paulo yandikiye Abanyefezi :

*(N'abapagani bemerewe gutorana hamwe natwe iragi ry'Umukama)*

Ncuti zanje :
Ngira ngo mwarumvise ingene Imana yanteye iteka kubera mwebwe, ikampishurira rya Banga rya Kristu ritamenyeshejwe abakera, nkuko ubu ryahishuriwe abatumwa n'abahanuzi biwe beranda muri Mutima. Ubu n'abapagani bemerewe gutorana hamwe natwe iragi ry'Umukama, ubu turi ingingo z'umubiri umwe, dusangiye umuhango umwe muri Kristu Yezu, kubera Inkuru nziza dusangiye.

## Inkuru nziza : *Matayo : 2, 1– 12*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Twabonye inyenyeri yiwe iserutse, duca turaza, tuzanye n'amashikanwa, ngo dusenge Umukama.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Njili nyeranda yanditse Matayo :

*(Tuvuye mu Buseruko ngo tuze gusenga Umwami yavutse)*

Aho Yezu yavukira i Betelehemu mu Buyudeha, ku ngoma y'Umwami Herodi, abamajusi bashitse i Yeruzalemu bavuye mu buseruko bw'izuba, bavuga bati: "Umwami w'abayahudi aheruka kuvuka ari hehe? Twabonye inyenyeri yiwe iserutse, duca tuza kumusenga." Umwami Herodi avyumvise, bimutera akoba, we n'ab'I Yeruzalemu bose. Akoranya abakuru mu basaserdoti n'abigisha bose, ababaza iyo Kristu azovukira.

Nabo bamwishura bati: "N'i Betelehemu mu Buyudeha, kuko ari ho umuhanuzi yavuze aho yandika ati: Ewe Betelehemu ya Yuda,, nturi muto mu miryango ya Bene-Yuda, kuko Umwami azorongora igihugu canje Israeli azova iwawe." Araheza Herodi yihereranya bano Bamajusi, baramufoborera neza ikiringo c'aho iyo nyenyeri yabonekera; arabagenekereza Betelehemu, ababwira ati: " Gende, mubaririkize neza ivy'uyo mwana; muramutse mumubonye, muntumeko, nanje ngende kumusenga." Bahejeje gukebukana n'umwami, barijura.

Ya nyenyeri bari babonye mu buseruko ibatanga imbere iragenda; ishitse hejuru y'aho nya mwana yar'ari, irahagarara. Ngo babone nya nyenyeri, barahimbarwa cane. Binjiye mu nzu, bahasanga nya mwana na Mariya nyina wiwe, barapfukama, baramusenga. Baraheza bapfundurura ibikemenyi vyabo, bamushikanira inzahabu, isenga n'imira.

Ivyo biheze, baburirwa mu ndoto ngo ntibasubire guca kwa Herodi, baca bajana iyindi nzira, bitahira iwabo.

---

# Mwaramutse Bikira Mariya...

**Mwaramutse Bikira Mariya,**

Wewe wuzuye ubutore bw'Imana, wewe Ngoro ibushitse ya Mautima Mweranda, wewe wuzuye akanyamuneza.

**Umukama muri kumwe**

Waratowe n'Imana ngo utuvyarire Umukiza. Ntivyari vyoroshe kwemera kwibungenga Umuremyi wawe.

Ntivyakworoheye no kumwibarukira mw'isenga ry'ibuye, ukamuryamika mu bwato bw'inka. Mu nyuma ugaca umuhungana mu misiri. Ingorane waciyemwo ntizigeze zigutesha ukwemera n'ukwizigira ko Imana izoshitsa isezerano ryayo.
Ukwemera kwawe kwabaye ishingiro ry'ukwemera kwacu.

**Urahezagiwe mu bandi bagore bose,**

Abo mu bisagara canke mu mitumba, abatunze canke abakene, abatamba, abaririrmba n'abacura intimba, abari mu maganya n'abanezerewe, abitonda n'abizeye ububasha bwabo, abakomeye n'abagwaye, abihebuye n'abahiriwe.

Ibik. urup.3

# « Twubake umushinge w'imbonakazoza y'Uburundi 2040 na 2060 duhereye ku guteza imbere ubuzima bw'abenegihugu »..

(Bitangurira ku rup.1

*Ijambo rishikirijwe na Nyenicubahiro Evaristo Ndayishimiye, Umukuru w'Igihugu rijanye no gusozera umwaka w'2023 no gutangura umwaka mushasha w'2024.*

Ndaramukije abarundi bose, iyo bava bakagera n'incuti z'uburundi ndababwira nti: Nimugire amahoro, ni musangwe amahoro, ubumwe burange Uburundi, amajambere atuvyagire, tujandajande kw'ijambo ry'u-+bugabo twarazwe na ba sokuru.

Barundi, Barundikazi, Ncuti z'Uburundi,

1. Mu masaha make, indirimbo, inzamba, amashi n'amajwi menshi biraza gusamirana mu gihugu cose, duserure umunezero dufise wo gusezera umwaka turangije turi bazima no gutangura umwaka mushasha w'2024, dufise amagara meza.

Umusi wa mbere w'umwaka, ni wo musi mukuru utegurwa neza kugira uhimbazwe neza kw'isi yose kandi uhuza benshi.

2. Kurangiza umwaka ni ishaka ry'Imana, ni iteka rikomeye, ari co gituma tubanje gukengurukira Imana Mushoboravyose yariduteye, tugashika kuri uno musi dusinzira tukikoma, turi mu mahoro n'umutekano kandi turi ku kivi.

Iyo Mana nzima twese tuzeyeko urukiza, tuzi neza ko uwuyizeye adateterwa, Nihabwe icubahiro kidasanzwe kiyibereye. Turayisavye ize ibandanye itugumiza mu maboko yayo muri uyu mwaka buca dutangura, twizera ko tuzowumara duhimbarwa n'aho tuzoba twigejeje mw'iterambere.

3. Turipfurije umwaka mushasha mwiza Abarundi bose, abo turi kumwe mu Burundi n'abari mu mahanga, tutibagiye n'abanyamahanga baba mu Burundi. Abari mu bihe bitoroshe, abagwaye, abari mu mabohero turasavye Imana ibakozeko ikiganza cayo, kugira ngo twese dutangure umwaka dufise umwizero wo kubaho neza, maze ejo haza, haze habe heza gusumba ejo hahise kuri twese.

Barundi, Barundikazi, Bavukanyi, Ncuti z'Uburundi ;

4. Turangije umwaka turi mu gahinda kadasanzwe kuko uburundi bwaraye busubiye buhekurwa n'abicanyi bo mu mugwi w'iterabwoba Red-Tabara ufise icicaro mu gihugu c'Urwanda.

N'ubu turasubiye gutera ivyatsi abo bicanyi bahekura Uburundi, ibibondo ari vyo vyari Burundi bw'ejo.

Turahojeje kandi imiryango yahekuwe, twongera turemesha abakomeretse, tubipfuriza imisuhuko ya vuba kugira ngo basubire ku kivi.

5. Mu bijanye no gutuza uwo mugwi w'iterabwoba, twari tumaze igihe tuganira n'uburongozi bw'igihugu c'Urwanda ngo turabe ko bokwikubita agashi bagashikiriza ubutungane bw'uburundi abo bicanyi, ariko twaraye tubonye neza ko ivyo twayaga kwari ukudusuka inkore ku maso, ahubwo bagumye babaha uburyo bwose bukwiye ngo badusamaze hanyuma batwubire.

Nta n'umwe atabizi ko, hampande yo gutikiza inganda mu 2015 ufashijwe n'ico gihugu nyene, uwo mugwi waciye uhungira mu gihugu c'Urwanda, uroharonkera inyigisho z'iterabwoba n'ubwicanyi.

Abarundi ntimuzokwibagira ko wahereye kugandagura abana b'imiryango mu Ruhagarika mu ntara ya Cibitoke, none ubu naho bakaba bubiriye abenegihugu bo mu Gatumba.

6. Ahacu, ntaco tutari twakoze kugira turabe ko urwo ruhagarara hagati y'Urwanda n'Uburundi ruhere mbere n'amakungu ni ivyabona kuko yaradukeje igihe twebwe nyene twafata ingingo yo kwugurura urubibe hagati y'Uburundi n'Urwanda ngo abenegihugu b'impande zose bashobore gusubira kugenderanira.

*Ibik. urup.5*

# Mwaramutse Bikira Mariya...

Uri umwe muri bo ariko ukabasumvya bose ubwitonzi, ubugamburutsi, urukundo, ubutore n'ubweranda.

**Umwana w'inda yawe Yezu arahezagiwe.**

Waratewe iteka ryo kwibungenga, ryo kuvyara n'ukurera umwana w'Imana, umurerana igishika. Iminwe yawe yarahezagiwe kuko yateruye Umwami w'amahoro. Abigeme, abakenyezi n'abavyeyi barakwisunga. Uri Umuvyi w'abantu bose.

**Mariya Mweranda nyina w'Imana,**

Dusabire twebwe bononyi ubu n'umunsi tuzopfa.

Uratwitwararitse mu mitwaro yacu, ukadushikanira kwa Yezu ibisabisho vyacu.

Himbarwa Mariya ko wavuze uti "EGO", ukatwugururira inzira y'urukundo, akanyamuneza n'umwidegemvyo.

Dufashe kwakira Umwana wawe, tugendere mw'ishaka ryiwe kandi tumumenyeshe n'abataramumenya.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Ibitaro vy'itiriwe Umwami Dawudi bije nk'inyishu kubazovyitura

(Bitangurira ku rup.1

Ibitaro vyitiriwe Umwami Dawudi (Polyclinique Roi David) mu gisagara ca Bujumbura, vyaruguruye icese ku wa 21 Kigarama 2023.

Ivyo birori vyatanguwe no gupima abantu ku buntu indwara zitandukanye imbere y'umutaga

Ivyo bikorwa vy'iyugururwa ry'ivyo bitaro, vyaranzwe no kwakira ku buntu abari bituye ivyo bitaro uwo musi bifuza kubonana n'umuganga. Ku bipfuza ibipimo n'abo, barihishwa igice c'amafranga asabwa.

*Ivyo bitaro rero, bivura indwara zikurikira :*



Foto: Chanel HARINGANJI

Umurwayi imbere y'uko bamuvura, abanza kugiriranira ikiyago n'abaganga ku bijanye n'ingene yiyumva.

- Indwara z'umutima haba ku bakuze no ku bana,
- Imitsi itwara amaraso,
- Medecine Interne,
- Indwara z'abana,
- Indwara z'amahaha,
- Amenyo,
- Ekografi y'amenyo,
- Hari kandi n'abaganga bavura indwara zose (Medecine generale)
- Hari na medicine interne

*Hari kandi n'ivyuma bigezweho ari vyo:*

-Radiographie ishobora gupima vyose muri rusangi nk'amagufa, amahaha n'ibindi.

- Ecographie ishobora gupima ibitari bike nk'umutima, imitsi n'ibindi
- Laboratoire ishobora gufasha gupima amaraso, igikororwa imitsi n'ibindi
- Abivurije ngaho kandi barashobora kuhagurira n'imiti (Pharmacie)
- Hari n'uburaro ku barwayi baremvye badashobora kwivuza bataha hamwe n'ibindi bisata bizoza biravuka mu nyuma

Muganga Jolis NZISABIRA yanonosoye ibijanye n'indwara z'umutima hamwe n'imitsi itwara amaraso, akaba ari we aramutswa ivyo bitaro, avuga ko iciyumviro co kuzana ivyo bitaro, cavuye kukungene babonye abarwayi bafatwa uko bitategerezwa bica bituma baza gufasha abarwayi,

amenyesha ko biteguriye kwakira neza abazobitura hamwe no kuramira abatishoboye bagera kuri 4 ku ndwi mu kubavura ku buntu mu gihe babonye ko bikenewe.

Ku barwayi bashobora kubitura bagasanga bafise indwara zidashobora kuvurirwa hano mu Burundi, muganga Jolis NZISABIRA amenyesha



Foto: Chanel HARINGANJI

Abaganga bamaze kumva ingene umurwayi amerewe, baca batangura kumuvura

ko hari ibitaro vyo mu Buhindi bishobora kubakira bafitaniye amasezerano, ahandi naho ni mu Bufaransa aho bashobora kurungika abana bafise indwara zitandukanye zidashobora kuvurirwa aha mu Burundi.

Akamenyesha kandi ko mu migambi ya vuba bategekenya kuzana Skanere hamwe n'ibindi vyuma bitandukanye bigezweho bishobora gupima indwara zitandukanye. Akifuza ko ivyo bitaro vyititriwe Umwami Dawudi vyoba ibitaro vy'akarorero mu bijanye no kuvura indwara z'umutima n'ibindi.



Foto: Chanel HARINGANJI

Ahamagarira abazobitura ndetse n'abarundi bose muri rusangi n'uko boza baramenyera kwivuza hakiri kare batarasinzikara, ivyo bigatuma umurwayi anyaruka gukira.

Ikindi n'uko umurwayi yofata imiti neza nk'uko umuganga aba yayimwandikiye ari navyo biheza bikamuha amahirwe yo gukira.

Umwe mu barwayi twayaze yari yituye ivyo bitaro uwo musi ariko atifuje ko amasanamu yiwe tutoyerekana mu kinyamakuru Ndongozi y'Uburundi, tumubajije ico yiteze kuri ivyo bitaro vyitiriwe Umwami Dawudi, yatwishuye ko atakindi yokwitega atari ubuvuzi bwiza ico ari naco nyamukuru kizonatuma bahahurumbira gusumba, kuko iyo umuganga yakiriye umurwayi neza ngo araheza agakira ataranafata n'umuti. Ivyo bigaheza bigatanga umwizero ku murwayi. Yasozereye agira ati: "Umurwayi w'uno musi niwe mukiruke w'ejo"

Icivugo c'ivyo bitaro kikaba ari: " Kwakira neza, gutahura uwubituye no kugira ico bamufashije"

Ivyo bitaro biri muri Rohero II, kw'ibarabara ry'itiriwe umunyagihugu w'umurundi inomero 16. Ni imbere y'inyubakwa ya mairie ya Bujumbura.

**Chanel HARINGANJI**

# « Twubake umushinge w'imbonakazoza y'Uburundi 2040 na 2060 duhereye ku guteza imbere ubuzima bw'abenegihugu »..

*(Bitangurira ku rup.3*

Turibuka akanyamuneza abanyarwanda bagize basubiye kubona ikiyaga Tanganyika, basubiye kubona umukeke n'indagara.

None utwo twigoro twose, igihugu c'Urwanda rwemeye kubisubiza itoto.

7. Ico twiyemeje ni uko tugiye gufata ingingo zose zishoboka kugira abana b'Uburundi ntibasubire kugandagurwa bunyamaswa n'ivyo birara.

Dusavye Abarundi bose guhagarara magabo kuko umutwe w'iterabwoba urasasiwe vy'ukuri indava mu gihugu kibanyi c'Urwanda.

Ariko naho biri uko ntiducike inkokora. Handitswe ngo imbere yuko mutata na mugenzawe, urabanza umusabe amahoro. Ngo niyanka amahoro, uratabaza abagenzi kugira bamuhanure ni vyanka naho Imana izogira ico ivuze.

None rero turasubiriye gutera akamo ubutegetsi bw'igihugu c'Urwanda, gukubita agatima mpembero, bikubite agashi, bigenze runtu babone ko inzu y'umubanyi ihiye na rwawe iba igeramiwe. Abanyarwanda n'Abarundi barabana ay'ingwe ntaco bizotezako imbere ubwo butegetsi.

Tugiye kandi gutaka amakungu n'abantu b'umutima ukunda amahoro kugira turabe ko bogondoza ubwo butegetsi, kugira burekure abakuru b'abo bicanyi, baze mu Burundi hanyuma intahe ibakubite mu gahanga.

Ni bata agati naho bamenye ko bariko bakwega akarambaraye kuko bariko barema urwanko hagati y'abenegihugu b'ivyo bihugu ata ruhara babifisemwo.

Barundi benewacu,

8. Naho twahuye n'izo nyatsi, turashimiye abateramira amahoro n'umutekano bakorera muri ya nyabune igizwe n'abajejwe intwaro, abajejwe umutekano, abajejwe ubutungane n'abenegihugu, kuko kubera bo buraca bukira, ntawuturuka buka ngo atahe bunyama, amahoro n'umutekano bikwiye igihugu cose.

Iki gikorwa gisaba ko ata Murundi n'umwe yokwiyonjorora hageze guteramira amahoro canke guhinda ikibiri co gutera iteka impetso yaduhetse, ari bwo Burundi bwacu.

Barundi, barundikazi, Ncuti z'Uburndi,

9. Hampande yo guhangana n'ikibazo c'amahoro, twarabandanije urugamba rwo kugarukira ubutungane no gukingira agateka ka zina muntu.

Turangije umwaka, Abarundi bose bidegemvya, bashobora gushira ahabona indongozi zibakorera nabi ndetse biboneka neza ko ata muntu n'umwe mu Burundi ari hejuru y'amategeko.

Mu bucamanza naho, naho bitaratonganuka neza, turabona akarusho kuko ubu umuntu abiravye, duhanzwe n'imanza za kera zaciwe ngondagonde.

Aha tukanezerezwa n'abacamanza bisubiyeko, barihana kandi bakemeza mu muzirikanyi wabo ko bemeye guhindura ingendo.

10. Twarabonye neza ko kugira urwego rw'ubutungane rukore neza ko ari ngombwa guhinyanyura amategeko kugira ngo ajane n'ibihe.
Ayo mategeko yahinyanyuwe kugira haboneke umuco, n'uwumva ko arenganijwe afise abamurenganura.

Turizeye ko uwu mwaka Inama nkuru y'ubucamanza izoshobora gushira mu ngiro imanza yagoroye kuko amategeko azoba yamaze kuja mu ngiro.

11. Mu bijanye n'Ubutunzi n'iterambere, turahimbawe cane kubona dutanguye umwaka mushasha tumaze kwuguruka amaso, tukabona aho turi n'iyo turiko turaja, aho naho si ahandi, ni ugukura igihugu mu bukene, tukigaba tukigaburira, isura ryacu n'iry'igihugu rigahinduka imbere y'amakungu.

Ihangiro twihaye ni uko igihugu cacu coba ari igihugu cifashe, cigaba kikigaburira mu mwaka w'2040, giteye imbere mu mwaka w'2060.

12. Ni co gituma icivugo ngenderwako tugiye kwisunga mu bikorwa tugiye kurangura muri uyu mwaka ari:

« Twubake umushinge w'imbonakazoza y'Uburundi 2040 na 2060 duhereye ku guteza imbere ubuzima bw'abenegihugu ».

Barundi, Barundikazi, Ncuti zacu,

13. Kwubaka umushinge w'imbona kazoza y'Uburundi nta handi bihagaze atari uguhindura ingendo n'inyifato. Nta handi bihagaze atari ugukunda igihugu ubwa mbere, tugakura amaboko mu mpuzu tukagikorera.

Ndasubiyemwo, « Ntavyizana, biraronderwa ». Umurundi wese, aho ari hose ategerezwa kubona ko ari ku kivi.

Yaba umukozi mu bisata vy'inzego z'igihugu abone ko ari ku kivi afasha abenegihugu kugwiza umwimbu. Yaba uwikorera ivy'iwe, abone ko ari ku kivi agwiza umwimbu.

Twese tugire urunani mu bikorwa vy'iterambere, ata wurya imitsi uwundi.

*Ibik. urup.7*

# Ubuzima bwa patiri Benjamin Sivyindika (1975 - 2023)



Patiri Benjamin Sivyindika yarengutse i Bukama mw'ijoro ryo ku munsi wa mbere, igenekerezo rya 18 Kigarama 2023, mu gicugu. Yari amaze imyaka itatu yose ageza kurwanya indwara yamuhitanye, afashijwe n'abaganga benshi, mu gihugu ca Kenya, no ng'aha mu Burundi.

**Patiri Benjamin Sivyindika ni nde ?**

Patiri Benjamin yarengutse ashikanye imyaka 48 n'igice y'amavuka, kuko yavutse mu kwezi kwa Ruheshi, igenekerezo ry'8, mu mwaka w'1975, i Burima, muri Mutambu, Paruwase ya Karinzi.

Se wiwe ni Gabriel Minani, nyina wiwe nawe Cécile Ngendabanyikwa. Yari afise abo bavukana.

Patiri Benjamin yabatijwe amaze indwi zitatu avutse, kw'igenekerezo rya 20 Ruheshi 1975, muri paruwase ya Karinzi. Ni naho yakomerejwe muri Mutima Mweranda, igenekerezo rya 24 Ruheshi, mu mwaka w'1989.

**Amashure matomato**

Amashure matomato yayize mu Karinzi. Arangije amashure y'intango, yaciye yinjira mw'Iseminari Ntoyi yo mu Kanyosha. Kuva mu mwaka 1990, gushika mu mwaka w'1997.

Kuva 1998 yinjiye i Burasira, mu mwaka wa Propédeutique, kuko yinjiye muri Filosofiya, mw'Iseminari Nkuru y'i Bujumbura, mu mwaka w'1999. Yahamaze imyaka ibiri, kuva 1999 gushika mu 2001.

Kuva mu 2002 gushika mu 2006 yiga ivyigwa vya teholojia mw'isemianri nkuru y'i Gitega i Songa.

Yatiwe mw'ibanga ry'ubudiyakoni kuwa 16 Mukakaro 2005 muri paruwase ya Matara.

Hanyuma yatirwa mu busaserdoti kuwa 15 mukakaro 2006 muri Paruwase ya Muramvya.

**Aho yagiye ararangurira ubutumwa.**

Amaze kwatirwa, Yaciye agenwa kuja gufasha muri paruwase ya Mutumba, ahamara umwaka, gushika mu ci, mu mwaka w'2007.

Avuye i Mutumba, yagiye gushishikarira ubutumwa muri paruwase ya Rushubi, gushika mu mwaka w'2013.

Mu ci ry'uwo mwaka w'2013 ni ho yagenwa kuba patiri mukuru wa Paruwase ya Mutumba. Yahamaze imyaka indwi, gushika muri Myandagaro, umwaka w'2020, aho indwara imuhitanye yiyerekana.

Kuva ico gihe atanguriye kurwara, umwanya munini yawumaze mu bitaro no ku musego. Ariko, iyo atoye mitende, yarahimbarwa no kurangura ubutumwa bw'ubusaserdoti, bwo gufasha abakristu.

Patiri Benjamin Sivyindika, mu ndwara ziwe, yagumanye umwizero wo kuzosubira gukomera. Yararwaniye ubuzima, yarizeye ubushobozi bw'Imana, iciye ku bumenyi n'ubuhinga bw'abaganga. Kandi Imana ntiyamuhevye, yashimye kumwiyegereza.

Patiri Benjamin Sivyindika yarashingiwe intahe n'Umwepiskopi wa Diyoseze yarangurira-mwo ubutumwa: «Yari umupatiri akunda ibanga ryiwe, agakunda n'u-butumwa»

Yaranavuze ko Patiri Benjamin Sivyindika yari umusaserdoti w'umutima mwiza n'akamwemwe, nk'uko ngo yama avyerekana aho hose yagiye ararungikwa kurangura ubutumwa. Iryo ngo rikaba ari iragi ryiza asigaranye abandi basaserdoti.

Tumusabiye ko imwakira mu buzima buzokwamaho, ubuzima bwuzuye, buhimbaye, yemereye abatoni bayo. Mu rwandiko yasize, yarasavye ko mu gihe co kumufuba hatozanwa amashurwe menshi. Ishurwe rya diyoseze, hamwe n'iry'umuryango, yoba akwiye.

Yarengutse i Bukama mw'ijoro ryo ku munsi wa mbere, igenekerezo rya 18 Kigarama 2023, mu gicugu.

Patiri Benjamin Sivyindika, Umukama wamye wemera n'akuronse impera y'abatoni biwe.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Ukubana nk'umugabo n'umugore kw'abafise ibitsina bisa, si igicumuro gisanzwe, ni ivumwe

Itangazo ry'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi ryerekey inyigisho "Fiducia Supplicans" (Ukwizera kwambaza Imana) y'igisata ca Papa gishinzwe ukwemera gatolika.

Basaserdoti,
Bihebey'Imana,
Bakristu benewacu, Namwe mwese bantu b'umutima urondera ineza;

1. Tugiye guhimbaza umunsi mukuru cane wa Noheli hagize iminsi hari ivyandikwa vyinshi ku mbuga ngurukanabumenyi, bivuye kukudategera neza inyigisho y'igisata ca Papa gishinzwe Ukwemera gatokila, yo kuwa 18 Kigarama 2023, yerekeye insiguro y'imihezagiro mu butumwa bw'ukuragira ubusho bw'Imana.

Muri ivyo vyandikwa, hariho ivyemeza ko Umuvyeyi wacu Papa yoba yarekuye ukwubakana kw'abafise ibitsina bisa, ibindi bigaca bigirako bityoza umuryango wacu w'Ekleziya.

Birumvikana ko mubisomye canke muvyumvise, bitoreka kubatera amadidane, kubahungabanya no kubababaza, mwibaza ko Ekleziya Gatolika yacu yoba yashingutse ku kwemera n'inyigisho yamye ihererekana kuva igitangura, ku vyerekaye isakramentu ry'ukubaka rukristu.

2. Twebwe rero Abungere banyu, tuje kubahumuriza no kubaha umuco. Niko, inyigisho tuvuze y'Igisata ca Papa gishinzwe Ukwemera gatolika bise "Fiducia Supplicans" (Ukwizera kwambaza Imana), itumbereye kwishura ku kibazo c'uko, iyo babisavye, ababana nk'umugabo n'umugore kandi bompi ari abagabo canke abagore, be n'ububakanye badakurikije amategeko y'Ekleziya gatolika, boshobora kuronswa umuhezagiro n'umusaserdoti nk'abubakanye.

Mugabo, mu nimero yayo igira kane, iyo nyigisho nyene iributsa i-nyishu Umuvyeyi wacu Papa yatanze italiki 4 gitugutu 2023, yishura amakenga abakardinali 5 bari bamutuye ku vyerekeye ibintu bimwe bimwe, birimwo n'ic'uko benabo bantu bohezagirwa.

Yishuye agira ati: "Ekleziya isanzwe itegera mu buryo butomoye ico ari co urugo, n'ubumwe butabangikanya, burama kandi budatandukanywa bw'umugabo n'umugore, busanzwe bwugurukiye ukurondoka.

Ni co gituma Ekleziya yirinda umugirwa uwo ari wo wose womera nk'uwuvuguruza ukwo kwemera, ugatuma abantu biyumvira ko ifashe nk'urugo ibitari rwo namba".

3. Kubw'iyo nyigisho y'Umuvyeyi wacu papa, isubiramwo inyigisho yamye ihererekanwa muri Ekleziya, ikaba ari nayo igaruka muri iyo nyigisho "Fiducia Supplicans" (Ukwemera kwamba-za Imana), murumva ko bitarekuwe kuronsa ababana bafise ibitsina bisa, nkuko boba bagize urugo.

Ni nkuko bitarekuwe guhezagira nk'abubakanye umugabo n'umugore babana batarekuriwe gusezerana rukristu. Noneho ukubana nk'umugabo n'umugore kw'abafise ibitsina bisa, si igicumuro gisanzwe, ni ivumwe, kandi biteye kubiri n'imico myiza yamye iranga abarundi.

Niko, Imana yanka igicumuro ntiyanka umucumuzi. Mugabo impuhwe n'ikigongwe vyayo ntivyigera bija kubiri n'ukuri, vyama nyabuna birondera ukurokora umuntu, ngo ahinduke ave mu kabi. Abantu bari mu gicumuro c'icese kandi baterekana namba ko boba bashaka kukivamwo, nta musaserdoti yobahezagira.

4. Nkako, umuhezagiro umusaserdoti atanga, naho hoba Atari mu mugirwa wa Liturjiya, awutanga nk'uwatiwe, agaterwa iteka ryo gusangira na Yezu Kristu ukuba Umutwe n'Umwungere w'Ekleziya.

Awutanga rero atumbereye kurangura ico Ekleziya ibereyeho kw'isi: ukumenyesha abantu Yezu Kristu n'ukubanywanisha na We, ngo baronke ubuzima kandi ubuzima bwuzuye.

5. Ariko mubitegere neza, ukudaha umuhezagiro bene abo bantu, si ukubaca muri Ekleziya canke kubaheba, kuko baguma ari abana bayo. Turategerejwe kubandanya tubitwararika kugira ngo bagume biyumva mu muryango kandi bashobore no kwigarura.

6. None rero bakristu, nimureme, Umuvyeyi wacu Papa ntiyahinduye inyigisho y'Ekleziya yerekeye ukwubaka rukristu. Ahubwo nimwirinde kujanwa n'ivyiyumviro vyiganje mw'isi ya none, bisuzugura Imana n'itegeko ryayo, bigafutanya umuntu yaremanywe agashusho kayo. Umukiza yatuvukiye hanyuma akitanga wese ku bwacu, yaratsinze urupfu. Ari kumwe natwe gushika ku muhero w'isi nk'uko yabitwemereye.

Ku bwa Mutima Mweranda, yaraduhaye ingabirano zidasa, adushinga n'ubutumwa butandukanye, kugira ngo dukoreranire, dufashanye kuba "mu bumwe bw'ukwemera n'ubwo kumenya Umwana w'Imana. Gutyo ntituzobe tukiri abana bazungagizwa kandi bahitanwa n'igihuhusi cose c'inyigisho ihagaze ku bubeshi bwabantu, ku buhinga bwabo bw'ugutwara abandi mu biyoma".

7. Turangije tubifuriza Noheli nziza n'umwaka mushasha muhire w'2024.

Bigiriwe i Bujumbura, kw'igenekerezo rya 22 kigarama 2023

Abungere banyu.

*Ndongozi y'Uburundi*

# « Twubake umushinge w'imbonakazoza y'Uburundi 2040 na 2060 duhereye ku guteza imbere ubuzima bw'abenegihugu »..

*(Bitangurira ku rup.5)*

Turakeneye ko mu mpera z'uyu mwaka utanguye ata n'umwe yobura ico yerekana nk'umwimbu yaronse.

14. Ni co gituma natwe ku ruhande rwacu tugiye gufata ingingo zose zishoboka zituma Umurundi wese aja ku kivi.

Tuzofata ingingo gushika naho n'Abarundi bose bari mu mabohero atari abicanyi, tubatezurira kugira bave aho bicaye barya ivyagusa, batahe hanyuma baje ku kivi.

Ivyo tubivuze kuko twasanze ko kwicarika umuntu mw'ibohero, uzi ko naho yotaha atawe yiba canke ngo yice, ari uruhombo runini.

None naho yoba yakoze icaha gituma aja mw'ibohero, tuzofata ingingo z'ibindi bihano yokora ariko akaguma ku kivi. Erega n'uburongozi bw'igihugu butegerezwa kuba nyabuntu, bugatahura ibihe abantu bakoreyemwo ivyaha, n'ibihe tugezemwo.

15. Ni co gituma tugiye no gusuzuma amadosiye yose y'abapfungwa kugira dutezurire abatari abicanyi n'abambuzi kuko abo n'ubundi ni imburakimazi.

Ariko rero aha tuhategere neza kugira ntihagire abajejwe ivyo bibazo bikika mu kiza canke ngo baririmwo mbege. Turazi ko hari abantu batagira umuzirikanyi usuzuma ibintu uko biri canke atabara abantu mu kumena igisabo.

Ico gikorwa, tuzogikorana mu bwitonzi, na jewe ubwanje turi kumwe n'abajejwe amategeko kugira ntihagire ingingo ihonyangwa.

Bavukanyi,
Barundi, Barundikazi,
Ncuti z'Uburundi

16. Twaratanguye urugendo rwiza rw'iterambere tuzi neza ko rutoroshe, ariko kandi tuzi ko atari ukurondera umuzi w'ibuye, kuko tuzi ko rushoboka.

Turazi ko ata wubaka inzu mu musi umwe. Aritonda nyabuna, agataba naho hagumye kuko akagumye umugabo agumako. Kanatsinda umunyabwenge ntiyubakira ku musenyi, yubakira kw'ibuye.

Urugamba rw'iterambere rusaba umwete, ibikorwa vyinshi n'ukutarambirwa. Ni co gituma twabonye ko, turavye inyifato y'Abarundi n'umuvuduko bariko, imyaka 37 ikwiye kugira Uburundi bube bwateye imbere. Ariko kandi, vyose bituvako, hamwe twohindura umuvuduko, tugahindura ingendo, ntidusamare, mu myaka mikeyi twoba dushitse kuko n'aha turi si hato, ni uko twamenyereye kwica umwano.

17. Urugamba kandi rw'iterambere, rugakenera indongozi zikerebutse, zitahura iyo turiko turaja, zikunda igihugu n'abenegihugu, kandi zitwararika guteza imbere ubuzima bw'abenegihugu, bo mushinge mukuru w'imbonakazoza y'2040 n'2060.

Indongozi ni yo mboneza, yegeranya ikongera igakingira itunga ry'igihugu.

Ni co gituma twafashe intumbero ko amahera agenewe kwinjira mu kigega c'igihugu, yinjira yose, ariko kandi agasohoka agiye gukora ibikorwa vy'iterambere ry'abenegihugu bose.

Vyongeye, twipfuza ko ata mukozi w'igihugu yohembwa ataco yakoze kiboneka.

Ndasubiramwo: Twipfuza ko umukozi wese w'igihugu, atoronka impembo ataco yakoze kiboneka; kanatsinda handitswe ko ari umukozi gusa aberwa n'impembo. Umukozi na we abonekera ku co yakoze.

Bagenzi banje,
Ncuti z'uru rugendo mw'iterambere,

18. Birakenewe muri urwo rugendo rushasha ko twese tumenya ko tutakiri mu bihe vyo kurera amaboko, kuba nyamwigendako, kurya canke gutanga ibiturire. Muri uru rugendo si igihe c'urudandazwa rwa magendo canke rwo mu binywabi no gusahura ubutunzi bw'igihugu.

Si igihe co kwangaza imitahe dufise tuyijana mu mahanga, ahubwo ni igihe co gukwegakwega abanyamitahe bo hanze ngo bayizane i Burundi. Hakenewe ahubwo ko tumenya ivyo dufise n'ivyo dushoboye bizodufasha gushika kuri iryo hangiro rishasha. Dukamishe umutahe Imana yaduhaye, ntidukebaguzwe kandi kuko twohava duhusha inzira !

Dutegerezwa rero guhinduka, tukavuga rumwe, ijambo ry'igitero ryacu, icitabirizo kikaba umuhamirizo, twese tukarutamba kumwe.

Bavukanyi,

19. Iyo uri ku rugamba uba uzi neza uwo muhanganye. Natwe ni tumenye ko hariho imitima mibi idashaka ko igihugu gitera imbere.

Abo na bo ni bamwe bamenyereye kurya bicaye, bakamisha igihagararo n'icicaro. Abo iyo hageze gukora, banebwesha abandi babasamaza ; ndetse bateranya uburongozi n'abenegihugu kuko babakuye muri ivyo vyicaro.

Murima amatwi ibinebwe, abangushi, abakwiragiza ibinyoma n'ibihuha naho bari ku rushi.

Ico mwomenya kandi mugategera, ni uko abantu nk'abo batazoduhagarika mu rugendo turimwo rw'amahoro n'iterambere.

Bazovuga na twe twinumire, tugume dukora,

*Ibik. urup.9*

# « Twubake umushinge w'imbonakazoza y'Uburundi 2040 na 2060 duhereye ku guteza imbere ubuzima bw'abenegihugu »..

*(Bitangurira ku rup.8)*

nakare, "Amaso y'ibikere ntabuza abavoma », kandi, « Ikinyoma kiririgwa ntikirara ».

20. Turashimiye cane urwaruka rwahabonye kare, rukageza rugasanga harabona none ari rwo ruremesha abandi.

Iterambere rirashoboka kuko ubu turi kumwe n'urwaruka rukibasha. Ico norukebura gusa, ni uko urwo rwaruka rwomenya ko ubana na suneba ugasuneba nka we. Kurya utabize akuya biraryoshe, ariko bishikana umuntu habi.

Mwirinde amajambo y'ibinebwe, ntibibandukize. Ahubwo namwe, ni mukore ibishoboka kugira ivyo binenbwe bive i buzimu bije i buntu.

21. Ikinebwe kivuga kiti: "Hanze hari intambwe, ihava inyicira hanze mu ntangaro".

Muzokwumva ababababwira ngo "ntute amaboko, ngo uwabirimye si we yabiriye, ngo niworora zizopfa zose, ngo ni warima ntibizomera, ngo bimeze imvura izotara. Mbere harin'abazobabwira ngo bisaba umutahe kugira ngo bakwibagize umutahe Imana yaguhaye ari wo isi, ubwenge n'inkomezi. Ndetse bakwibagize n'umutahe abavyeyi n'igihugu baguhaye ari vyo ubuntu n'ubumenyi.

Murabima amatwi mubabwire muti, Umugabo ni uwurya ico yihigiye, uti umugabo ahaga amazi ayivomeye, kandi mpa akate ndambarare arutwa na mpa akabando nandare.

22. Turashimiye indongozi zikerebutse, zibona kure, zikunda igihugu n'abenegihugu, zikaba ziriko zirerekana akarorero mu gutsimbataza umutekano no mu gufasha mw'irangurwa ry'imiga-mbi y'iterambere.

Turacari mu ntango y'urugendo rushasha, ariko turabona ko intango ari nziza.

Ndasavye ko indongozi zitarikangura zokwikubita agashi. Umugani ngo akazi k'ibwami kica uwicaye warataye igihe. N'abavuga ngo Reta iguhenda ko iguhemba nawe ukayihenda ko uyikorera bategere ko impembo iva mu vyo wimbuye.

Kuva ubu tugiye guhindura imvugo tuvuge tuti: « Umwe wese ku vyo ashoboye, k'umwe wese kuvyo yakoze ».

Ubwo mwantegereye ? Uwuzi ko azokamisha icicaro nateshwe ate, ivyo wakoze ni vyo bizoguhesha iteka.

Barundi, Barundikazi, Rwaruka,

23. Kuva mu bukene, birashoboka cane mu gihugu cacu, kuko ivya nkenerwa vyose birahari kugira ngo iryo hangiro turishikeko.

None ko dufise isi ndimwa nziza imera imbuto zose, tukagira imvura igwa ku rugero rwiza mu kiringo kinini c'umwaka, mu ci tukaba dufise amazi yiburuka mu mibande no mu migezi;
Igihugu kikaba gifise ubutunzi bwinshi bw'amabuye y'agaciro, Abarundi bakaba ari abantu b'incabwenge, bakunda ibikorwa n'amahoro, mwumva icotuzibira cova he ?

***Biracaza***

***Ndongozi y'Uburundi***

<u>**Muradutunge:**</u>

**Mu nomero iheruka y'798, ku rupapuro rwa 9, muri rwa rukurikirane rw'amakomine agize intaranshasha ya Burunga, twaribagiye ikomine ya Rutana. Iyo komine nayo igizwe n'amazone 9 arimw imitumba 71 n'amarkartiye 7**

**Turashimiye abaduhubuye. bitwereka ko abanywanyi n'abasomyi b'ibanga b'Ikinyamakuru Ndongozi t'Uburundi.**
**Muragorana iteka!!!**

7. Komine **Rutana**, y'intara nshasha ya Burunga (kuva 2025), umugwa mukuru wa komine ni Rutana, igizwe n'amazone 9. Nayo ni :

- Zone Bukemba igizwe n'imitumba 4: Bukenmba, Gihofi, Kabanga, Murama.
- Zone Butare igizwe n'imitumba 5: Bugigaa, Butare, Muyombwe, Rubanga, Ruranga.
- Zone Gitaba igizwe n'imitumba 13: Bugunga, Buta, Gasakuza, Gaterama, Gatongati, Gitaba, Kinganda, Maramvya, Mika, Mungwa, Nyamure, Nyanzuki, Ruregeya.
- Zone Gitanga igizwe n'imitumba 9: Bigina, Cikinga, Gatwaro, Gitanga, Kazeba, Kiremba, Museno, Ntuku, Nyabikenke.
- Zone Kinzanza igizwe n'imitumba 8: Cunda, Kabago, Kabanga, Kinzanza, Kivoma, Maramvya, Nyamabuye, Rukobe.
- Zone Kivoga igizwe n'imitumba 6: Gitaramuka, Kivoga, Matutu, Musenyi, Nyarubimba, Ramvya.
- Zone Nyakuguma igizwe n'imitumba 8: Gisenyi, Musongati, Mutsindozi, Muyange, Ngoma, Nyabisambwe, Nyakuguma, Samahuge.
- Zone Rongero igizwe n'imitumba 9: Butambara, Butovyi, Karinzi, Kibinzi, Mwayi, Ntuku, Rongero, Rushemeza, Rusunu.
- Zone Rutana igizwe n'imitumba 16: Gakobe, Gaseri, Gifunzo, Jomati, Karibu, Kayove, Nyarubere, Rushungura, Shoti, Kartiye Gahuna, Kartiye Karindo, Kartiye Kigwati, Kartiye Majambere, Kartiye Mikurira, Kartiye Mugembe, Kartiye Rongero.

*Yose hamwe ni imitumba 71 n'amakartiye 7 bigize amazone 9 ya Komine Rutana.*

***Ndongozi y'Uburundi***

# Akarimbi k'agateka ka zina muntu wese

Umuntu wese arafise uburenganzira n'agateka bimuranga. Uburenganzira bw'umuntu burashobora gushingirwa akarimbi mu gihe bitegekanijwe n'amategeko.

Akarimbi k'agateka ka zina muntu kari mu mirwi itatu :

Akarimbi k'agateka ka zina muntu gategekanijwe n'amasezerano yerekeye agateka ka zina muntu canke amategeko y'ibihugu, uburenganzira bw'ibihugu bwo guhagarika amateka amwe y'abantu hamwe n'ivyo umuntu wese n'umwenegihugu bategerezwa gukora.

Iyi mirwi y'akarimbi itegerezwa gushimikira ku mvo zibiri : Ukwubahiriza uburenganzira bw'abandi hamwe n'ukwubahiriza inyungu rusangi z'igihugu.

Amategeko mpuzamakungu atandukanye hamwe n'Ibwirizwa Shingiro arategekanya ingene uburenganzira bw'umuntu bufise akarimbi ntarengwa gategekanijwe n'amategeko.

Naho biri uko, hariho uburenganzira ntakorwako budashobora gushingirwa akarimbi no mu gihe igihugu coba kiri mu bihe bidasanzwe bibangamiye ukubaho kwaco.

**I. Imirwi y'uburimbi bw'agateka ka zina muntu**

I.1. Akarimbi k'agateka ka zina muntu gategekanijwe n'amasezerano yerekeye agateka ka zina muntu canke amategeko agenga ibihugu.

I.1.1. Ukwubahiriza uburenganzira bw'abandi

Imvo zemewe kugira akarimbi k'agateka ka zina muntu gategekanijwe n'-amasezerano yerekeye agateka ka zina muntu canke amategeko agenga ibihugu gashingirwe akarimbi ni: ukwubahiriza uburenganzira bw'abandi hamwe n'ukwubahiriza inyungu rusangi z'igihugu.

Ukwubahiriza uburenganzira bw'abandi bantu birategekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye.

*a) Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu*

Nta muntu ashobora kwitwaza uburenganzira bwiwe kugira ahungabanye agateka k'abandi. Ibi tubisanga mu ngingo ya 29 agace kayo ka 2, aho ivuga ko ata muntu n'umwe ashobora kwitwaza ingingo zimwubahiriza mu gihe ashaka kurenganya abandi, gurtyoza imigenzo, guhungabanya umutekano n'ineza biranga intwaro rusangi.

*b) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike*

Uburenganzira bw'umuntu burashobora guhagarikwa mu gihe bitegekanijwe n'amategeko. Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 12 mu gace ka 3 aho ivuga ko uburenganzira bw'umuntu ata coza kibwimira kiretse ivyategekanijwe n'amategeko akenewe mu gukingira umutekano w'igihugu, amagara y'abantu, uburenganzira n'umwidegemvyo vya mugenzi we, kandi ivyo bikaba bijanye n'ubundi burenganzira bwemejwe muri aya masezerano.

Ukugaragaza idini umuntu asengeramwo birashobora guhagarikwa mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira bw'abandi.

Ibi tubisanga mu ngingo ya 18 ivuga mu gace ka 3 ko ukugaragaza idini canke ivyiyumviro vya muntu bihagarikwa n'amategeko yonyene, nayo nyene akaba ajanye n'ibikenewe mu gukingira umutekano, ubuntu n'amagara y'igihugu, canke ubuntu, umwidegemvyo n'uburenganzira bwa mugenzawe.

Umuntu arashobora kubuzwa gukoranira n'abandi hamwe mu manama mu ntumbero yo gukingira uburenganzira n'umwidegemvyo vya kiremwa muntu.

Ibi tubisanga mu ngingo ya 21 ivuga ko uburenganzira bwo gukorana mu nama y'amahoro bwemewe.

Nta na kimwe gishobora gushingira akarimbi ubwo burenganzira atari ivyategekanijwe n'amategeko kandi bikenewe mu ntwaro rusangi, ku bw'ineza y'umutekano mu gihigu, canke mu bikenewe kugira bakingire uburenganzira n'umwidegemvyo vya muntu.

*c) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye ubutunzi, imibano n'imico kama*

Umukozi arafise uburenganzira bwo kuja mu mashirahamwe ariko ubwo burenganzira burashobora gushingirwa akarimbi kugira bubahirize agateka n'umwidegemvyo vy'abandi.

Ibi bitegekanijwe mu ngingo y'8, mu gace kayo ka mbere, aho ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kwiyungunganya n'abandi mu kuja mu mashirahamwe y'akazi kandi akaja mw'ishirahamwe yitoreye ata kindi gikurikijwe atari amateka ngenderwako yavyo kugira akingire yongere ateze imbere uburyo bwiwe mu vy'ubutunzi n'imibano.

Ubwo burenganzira bushingirwa akarimbi mu gihe bitegekanijwe n'amategeko kandi naho nyene akaba ari ingingo nkenerwa mu gihugu c'intwaro rusangi, ku neza y'umutekano mu gihugu, mu gukingira n'ukwubahiriza agateka n'umwidegemvyo vya muntu.

*d) Amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu*

Umuntu arafise uburenganzira bumuranga kandi ategerezwa n'ukwubahiriza uburenganzira bw'abandi. Tubisanga mu ngingo ya 27, mu gace kayo ka 2, ivuga ko amateka n'uburenganzira bw'umuntu wese bukoreshwa mu kwubaha n'ukubahiriza agateka k'uwundi muntu, mu gukingira umutekano, imico n'ineza ya bose.

Ibikur. urup. 11

# Akarimbi k'agateka ka zina muntu wese

*(Bitangurira ku rup.10)*

Nk'uko duhejeje kubibona, umuntu arafise uburenganzira ariko burashobora gushingirwa akarimbi kugira bubahirize agateka k'abandi. N'igihe hageze kubahiriza inyungu z'igihugu bigenda uko nyene.

I.1.2. Ukwubahiriza inyungu rusangi z'igihugu

Ukwubahiriza inyungu z'igihugu ni kimwe mu bigize akarimbi k'agateka ka zina muntu kandi birategekanijwe n'amategeko. Kugira akarimbi k'agateka ka zina muntu ntigakoreshwe mu guhonyanga ako gateka, igihugu gitegerezwa kuba kirangwa n'intwaro rusangi.

Ukwubahiriza inyungu rusangi z'igihugu kurategekanijwe mu ngingo zimwe zimwe zavuzwe mu gice ca mbere cerekeye kwubahiriza uburenganzira bw'abandi zirategekanya kandi n'ukwubahiriza inyungu rusangi z'igihugu kubijanye n'ukubungabunga amagara y'abantu, umutekano hamwe n'ineza ya bose.

Izo ngingo na zo ni : ingingo ya 29 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu mu gace kayo ka 2 hamwe n'ingingo za 21 z'amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike.

I.2. Uburenganzira bw'ibihugu bwo guhagarika amateka amwe y'abantu.

Uguhagarika amwe mu mateka y'abantu birategekanijwe n'amategeko. Ingingo ya 4 y'amasezerano mpuzakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike ni yo itomora ibisabwa ari vyo vy'ibi : igihugu gitegerezwa kuba kiri mu bihe bidasanzwe vyohakwa kukizimanganya ubwaco; ivyo bihe bitegerezwa kuba vyatangajwe icese n'itegeko ; igihugu gitegerezwa gufata ingingo zihwanye n'ibihe kirimwo ntigica gifata ingingo mu ntumbero yo guhonyanya agateka ka zina muntu; ingingo zifatwa zitegerezwa kuba zidateye kubiri n'ibitegekanywa n'amategeko mpuzamakungu ; ingingo igihugu cafashe zitegerezwa gukurikizwa ata gucagura abantu gufatiye ku rukoba, amoko, igitsina ,ururimi umuntu avuga, ukwemera kwiwe canke amamuko yiwe kandi igihugu gitegerezwa kubimenyesha ibindi bihugu ko kiri mu bihe bidasanzwe kibicishije ku munyamabanga mukuru w'urwego rw'ibihugu ONU.

### *I.3. Ivyo umuntu wese n'umwenegihugu bategerezwa gukora*

Umuntu ntafise uburenganzira gusa arafise n'ivyo ategerezwa gukora nk'uko bitegekanijwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu mu ngingo za 27, 28 na 29 hamwe n'ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro ry'igihugu cacu mu ngingo za 62 gushika kuri 74.

Ingingo ya 28 y'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu co kimwe n'ingingo ya 62 y'Ibwirizwa Shingiro zitegekanya ko "Umuntu wese ategerezwa kwubaha abo basangiye igihugu, akabereka ko abasonera ata gukumirwa."

Umutekano utegerezwa kubungabungwa n'umuntu wese aba umwenegihugu canke umunyamahanga.

Ibi tubisanga mu ngingo ya 29 y'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu hamwe no mu ngingo ya 72 y'Ibwirizwa Shingiro mu gace kayo ka 3 zivuga ko "Umurundi wese n'umunyamahanga wese aba mu Burundi ategerezwa kwirinda guhungabanya umutekano w'igihugu."

Ingingo ya 65 y'Ibwirizwa Shingiro ivuga ko "Umuntu wese ategerezwa kwubaha amabwirizwa n'inzego z'igihugu".

Muri make, ivyo umuntu ategekwa gukora biri mu bigize akarimbi k'agateka ka zina muntu ku mpamvu z'uko bimubuza gukora ivyo ashaka vyose kandi izo ngingo tuvuze hejuru ni zimwe muri nyinshi zibuza umuntu gukora ivyo ashatse yitwaje agateka kiwe.

### II. Uburenganzira budashingirwa akarimbi

Naho twavuze ko uburenganzira bw'umuntu bushobora gushingirwa akarimbi mu ntumbero y'ukubahiriza uburenganzira bw'abandi canke mu kubahiriza inyingu rusangi n'iz'igihugu, hariho uburenganzira ntakorwako budashobora gushingirwa akarimbi naho igihugu coba kiri mu bihe bidasanzwe.

Ingingo ya 4 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike mu gace kayo ka 2 aho ivuga ko hari uburenganzira budashobora gushingirwa akarimbi. Ubwo burenganzira nabwo ni ukubaho ; kudacurwa bufuni na buhoro canke gufatwa bunyamaswa; kutagirwa umuja canke gukoreshwa bwa muja ; gufunga umuntu kubera ko atashoboye kurangura ivyo yasezeranye n'uwundi ; kadahanira umuntu ibintu yakoze canke yirengagije gukora kandi igihe yabikora bitahanwa n'amategeko mpanavyaha ; ukwubahirizwa n'amategeko hamwe n'ukwidegemvya mu vyiyumviro vyiwe, mu mutima wiwe no kwemera kwiwe.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko naho umuntu afise uburenganzira, nta n'umwe ashobora kwitwaza ingingo zimwubahiriza mu gihe ashaka kurenganya abandi, gurtyoza imigenzo, guhungabanya umutekano n'ineza biranga intwaro rusangi.

Twabonye kandi ko naho uburenganzira bumwe bumwe bushobora gushingirwa akarimbi, hari uburenganzira budashobora gushingirwa akarimbi naho igihugu coba kiri mu bihe bidasanzwe bibangamiye ukubaho kwaco.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Umukuru w'igihugu c'Uburundi yaraye yishuye ku bibazo nkoramutima vy'abenegihugu

Ku wa 29 Kigarama 2023 muri Komine Kigamba mu ntara ya Cankuzo, isango ridasanzwe: Umukuru w'igihugu c'Uburundi Evariste Ndayishimiye ya-raremesheje ikiganiro aho yishuye ku bibazo vy'abamenyeshamakuru n'abenegihugu. Ico kiganiro cariko gica ikibiriraho ku maradiyo yose akorera mu Burundi no ku mboneshakure y'igihugu n'izigenga.

Mu ntango y'ikiganiro, Umukuru w'igihugu c'Uburundi yabanje kwifuriza abarundi bose umusi mukuru mwiza wa Noël n'umwaka mushasha mwiza wa 2024 wari ushigaje imisi ibiri gusa ngo ushike. Yamenyesheje ko Imana yakingiye Uburundi n'abarundi kandi ko vyibonekereza mu bice bitandukanye bigize ubuzima bw'igihugu.

Muri iryo jambo ry'intangamarara, ntiyibagiye guhoza imiryango itari mike yo muri komine Mutimbuzi zone ya Gatumba, aho abantu baharurwa mu 20 baherutse kwicwa bunyamaswa n'umurwi TABARA, abandi benshi bagakomereka.

## Uwo murwi ni umurwi w'iterabwoba si abanyepolitike

Ikibazo ca mbere cabajijwe umukuru w'igihugu, cari cerekeye ivy'uwo murwi nyene TABARA. Umumenyeshamakuru yagize ati : mbega hari ico mwoba mumaze kumenya bakeneye muri uko gutera abarundi benewabo ? Hari ibiganiro boba bariko barasaba ?

Kuri ico kibazo umukuru w'igihugu c'Uburundi ntarya umunwa. Agira ati : « uwo murwi ni umurwi w'iterabwoba, si abanyepolitike. Imirwi y'iterabwoba nayo kw'isi yose iragwanywa, ntaco iba ifise isaba. »

Kubwa Evaristo Ndayishimiye Umukuru w'igihugu, ngo iyaba bari abantu bakamaro, bafise inguvu, ntibogiye kwica abagore n'abana, inzoya bacisha ku buhomba. Ngo botumbereje ibitero ku makambi ya gisirikare, ngo niho bobaye bariko barerekana ko bafise inguvu. Ubundi bwo ngo ni imirwi y'iterabwoba nayo ntabiganiro ishobora guhabwa ahubwo irarwanywa.

## Kazoza ni kabi hagati y'Uburundi n'igihugu c'Urwanda

Nk'uko umukuru w'igihugu abandanya abivuga, ngo biramaze kumenyekana ko iyo mirwi itera Uburundi yatse indaro mu gihugu kibanyi c'Urwanda.

Ngo ntaco batagize mu gusaba ko ico gihugu cobarungikira izo nkozi z'ikibi kugira ngo zihanurwe bibaye ngombwa zihanwe. Ariko Urwanda ngo ruguma rwica amatwi. Umukuru w'igihugu c'Uburundi ati: «Urwanda rwomenya ko babandanije bakingira ikibaba abantu bahungabanya umutekano mu gihugu c'Uburundi, bakabandanya bagaburira bongera bakingira abansi b'Uburundi, kazoza ni kabi».



## Mu Burundi ngo ntabukene buhari

Mu gihe ivyegeranyo vy'amashirahamwe mpuzamakungu bimaze igihe bisohora inyandiko zivuga ko Uburundi ari igihugu ca nyuma gikenye kw'isi, aho abarundi bafise amikoro make cane, gufungura neza bikaba ari umugani ku batari bake, umukuru w'igihugu c'Uburundi avuga ati : «Ntabukene buhari ».

Nk'uko abivuga, ngo hari ibintu vyerekana ko abarundi badakenye: «Amamodokari azimvye, abadafise izizimvye bagendera mu zibayabaye, abandi ku mapikipiki, uwitwa ngo arakenye nawe agendera kw'ikinga».

Avuga kandi ko ingene abenegihugu bifashe mu vy'ubutunzi ngo bibonekera mu buryo bakira abashitsi canke bagemura iyo batembereraniye. Mu gihe turi mu mugambi w'igihugu w'uko Uburundi bwoba igihugu cifise mu 2040, kikaba igihugu gitunze mu 2060, umukuru w'igihugu avuga ati: Nimukanure, mubone ko dutunze, hanyuma ivyo dufise tubivyaze umusaruro».

## Izo mfashanyo barazitwima!

Ikindi kibazo umukuru w'igihugu yabajijwe mu vy'ambere ni aho Uburundi buhagaze ku bijanye n'ivyiyumviro vya none aho ibihugu rutura bivuga ko kubana nk'umugabo n'umugore kw'abasangiye igitsina ari uburenganzira bwabo. Evaristo Ndayishimiye, umukuru w'igihugu c'Uburundi avuga ati: «Ivyo bintu ni ivumwe».

Mu gihe bivugwa ko ibihugu bitazokwemera iyo ngendo ko bizofatirwa ibihano harimwo no kwimwa imfashanyo, umukuru w'igihugu c'uburundi avuga ati: «izo mfashanyo barashaka bazitwime, iryo vumwe ntirizokwigera rihabwa ikibanza mu Burundi».

*Biracaza*

*Mélance Ndayikeze*